# Ugusaba igisabisho, ni co gikorwa nya gikorwa c'iyegerezamana

Mu vyakiriwe na Al-Nu'maani mwene Bashiiri (Imana Allah Imwishimire) yavuze ati: "Narigeze kwumva Umuvugishwamana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) avuga ati: "Ugusaba igisabisho, ni co gikorwa nya gikorwa c'iyegerezamana", hanyuma aca arasoma Aayah, aho Imana Allah Ivuga Iti: Bantu! Imana yanyu Rurema Allah Yavuze Iti: “Nimunsabe mutambangikanya na kimwe mu biremwa, maze Ndabahe ivyo musavye; mu vy’ukuri, abagira amanyama mu kuticisha bugufi ngo banyiyegereze mu vyo bakora banansenge Ndi Imana Imwe Rudende, bazokwinjira mu muriro wa Jahannamu basuzuguritse” (Ghaafir: 60).

[صحيح] [رواه أبو داود والترمذي وابن ماجه وأحمد]

Umuvugishwamana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yaratwiganiye ko ugusaba igisabisho ari co gikorwa nya gikorwa c'iyegerezamana, ni ngombwa rero ko igisabisho gisabwa ku bw'Imana Allah, caba ari igisabisho c'ivyo umuntu asaba kuronswa, canke kikaba ari ic'umuntu asaba Imana Allah Nyenuguhabwicubahiro nta ngere, ngo Imuronse ibimugirira akamaro n'ibimukingira ibimubangamiye mu buzima bwo kw'isi no mu bw'inyuma yo gupfa, canke kikaba ari ic'umuntu gusaba igisabisho nyegerezamana, na co kikaba ari kirya cose gikundwa kikanashimwa n'Imana Allah mu majambo no mu bikorwa, vyaba ari ibigaragara canke ibihishije mu mushaha, bishobora kuba ari ibikorwa nyegerezamana bikorerwa mu mushaha, canke ibikorwa n'ibihimba, canke ibishingiye kw'itangwa ry'amatungo. Mu nyuma, Umuvugishwamana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah), yarashikirije icemezo kivyemeza, aho yavuze ati: Imana Allah Yavuze Iti: “Nimunsabe mutambangikanya na kimwe mu biremwa, maze Ndabahe ivyo musavye; mu vy’ukuri, abagira amanyama mu kuticisha bugufi ngo banyiyegereze mu vyo bakora banansenge Ndi Imana Imwe Rudende, bazokwinjira mu muriro wa Jahannamu basuzuguritse” (Ghaafir: 60).



النجاة الخيرية
ALNAJAT CHARITY
لجنة الدعوة الإلكترونية
EDC E-Da'wah Committee